Ivyakozwe n'Intumwa – Inyigisho k'Urwaruka

Ivyakozwe n'Intumwa 1:1-3

- Ni igiki cerekana ko iki ari igitabu ca Bibiliya kigira kabiri canditswe n'umwanditsi umwe?
- Iki gitabu candikiwe inde ku buryo bw'umwihariko? (Nimba kazinduzi y'ivyerekeye Bibiliya ishobora kuboneka canke ishobora gutirwa ahantu, habe umunyeshure umwe asoma ibizwi kuri uwo muntu)
- Igitabu ca mbere c'umwanditsi cari kijanye nivyerekeye iki?
- Ico gitabo casozerewe n'ikihe gihe gihambaye mu buzima bwa Yesu?
- Ni ibihe bintu bibiri canke ibihe bibiri bihambaye vyabaye imbere yaho? (Kimwe cari urukurikirane rw'ibintu canke ibihe.)
- Ni gute intumwa zamenye ko Yesu vyukuri yazutse mu bapfuye?
- Ni imisi ingana gute inyuma y'izuka rya Yesu yamaze yiyereka abantu kw'isi?
- Ni ikihe kintu yagenda avugako abwira abantu inyuma y'izuka ryiwe? Yari yarigeze kuvuga abwira abantu ivyerekeye ico kintu mbere yaho?
- Ni iki twiga ku ntumwa muri iyo mirongo?

Ivyakozwe n'Intumwa 6:8 Ukwizera hamwe n'igikorwa ca Stefano

- Ni iki tubona ku vyerekeye Stefano ku murongo 8?
- Ni ibihe bintu vyiza vyaranga ubizima bwa Stefano

Ivyakozwe n'Intumwa 6:9-14 Ukugwanya Stefano

- Ni iyihe migwi yatanguye guharira na Stefano?
- Ni ayahe madini bari bahurikiyemwo ? Ubimenyeshwa n'iki ?
- Uguharira kwabo kwashitse kuki ?
- Bahavuye bakora iki babonye ko badashobora gitsinda impari?
- Ni icahe kirego c'ikinyoma bamwe bahavuye bapfundika mu kurwanya Stefano?
- Gereranya ico kirego n'ubuzima hamwe n'igikorwa ca Stefano, Ni gute tumenya ko cari ikinyoma?
- Ni bande boheje?
- Stefano bamutwaye kuri inde?
- Ni ibihe birego vy'ibinyoma bapfunditse mu kwagiriza Stefano?

- Ku mpera y’umurongo wa 14, mwibaza ko Stefano yari mu ngorane ingana gute?
- Ni ingorane ingana gute muri iyo ngorane Stefano ari we yari yateye?

Ivyakozwe n’Intumwa 6 :15 Mu maso ha Stefano hasa n’ah’umumarayika

- Mu gihe bose bariko bararaba Stefano, ni ikihe kintu kidasanzwe babonye ?
- Mwiyumvira ko aha hariko haba iki ?

Ivyakozwe n’Intumwa 7 :1-2a Stefano atangura kwishura ashize amanga

- Ni inde yasavye Stefano kwishura ?
- Ni ikihe kibazo yabajije Stefano ngo yishure ?
- Mbega Stefano yahereye ko nyishu ya ego canke oya? Mwiyumvira ko atabigenjeje uko kubera iki?
  \----
  Ivyakozwe n’Intumwa 7:51-53 Isozerwa ry’inyigisho za Stefano
- Stefano yari imbere y’intahe yagirizwa kurogota. Nubwo biri uko, ni ikihe cagirizo gikomeye yashize k’uwamwagiriza?
- Abayahudi barishimira cane ukwubaha isezerano ry’Imana rijanye n’ugukebwa. Stefano yashaka kuvuga iki mu kubita intakebwa mu mitima no mu matwi?
- Bisigura iki kuba umuntu w’intagondwa izosi? Ni mu kihe gihe umuntu ashobora kuvugwa ko ari intagondwa izosi? Ni kubera iki atari vyiza kuba intagondwa izosi Ku Mana?
- Stefano avuga ko Mpwemu Yera yagerageje kubabwira ariko hakumwumvira, ni iki baca bakora?
- Mwiyumvira ko ari kubera iki yongeyeko ati: “uko ba sogukuruza banyu bakora, namwe niko mukora”?
- Ni iki abasokuruza babo bakoreye abavugishwa n’Imana?
- Ni iki Stefano ashaka kuvuga mu gihe avuze ngo ba sokuruza babo bishe ababanje kuza kumenyekanisha ivyo kuza kwa wa mugororotsi?
- Ni inde yari Wa Mugororotsi?
- Ijambo Umugorotsi risigura iki ? Ni inde Yesu yavuze ko ari umwe wenyene atigeze akora icaha ?
- Bakoreye iki Wa Mugororotsi yari yarungitswe ?
- Ni inde yacishijweko kugira ivyagezwe babihabwe ?

- Ryari ibakwe rikomeye cane guhabwa ivyagezwe bivuye ku Mana ubwayo. Ariko ni iki bakoresheje ivyo vyagezwe ?

Ivyakozwe n'Intumwa 7 :54 Ibikorwa vy'ishavu ry'abagize inama

- Amajambo ya Stefano yatumye bumva bamerewe gute?
- Mbega Stefano we nyene ubwiwe yari kubatera kumera uko? Ni inde wundi yariko arakorera mu mitima yabo?
- Ni iki bahavuye bakora kubwivyo ?

Ivyakozwe n'Intumwa 7 :55-56 Stefano atabwoba yitegurira urupfu

- Ni ikihe kigumbagumba canke impwemu Stefano asa nk'uwerekana igihe abagize inama bamushavurira ?
- Yabonye iki ?
- Mwiyumvira ko ari kubera iki Imana yamweretse ivyo muri uwo mwanya ?
- Stefano yaciye akora iki kubw'ivyo yari abonye ?
- Ivyo vyashobora gusigura iki kuri bo ko Yesu yari ahagaze i buryo bw'Imana ?

Ivyakozwe n'Intumwa 7 :57-59a Stefano yicishwa amabuye

- Ni ibihe bintu bitanu tubona baciye bakora nk'ingaruka y'amajambo ya Stefano ?
- Ni kubera iki baciye bugara amatwi yabo?
- Biboneka yuko bambuye zimwe mu mpuzu zabo zo hejuru mu gihe bariko batera amabuye Stefano. Ni kubirenge vyande bahavuye bashira izo mpuzu?
- Bariko bagerageza gukora iki kuri Stefano?Kubera iki?

Ivyakozwe n'Intumwa 7:59b-8:1 Stefano aharira abamwica hanyuma aracikana

- Mu gihe bariko bamwicisha amabuye, ni igiki yakoze?
- Ni inde yahamagaye?
- Ni iki yasengeye?
- Ni ayahe majambo yiwe ya nyuma?
- Umusore Sauli ntiyariko arabira impuzu gusa abariko barica, ariko akora iki kindi ?

Ivyakozwe n'Intumwa 8 :9-11 Simoni n'ubushobozi bw'amareba ku bantu b'Isamariya

- Ni iki tuzi kuri Simoni ?
- Yari abeshejweho no gukora iki? Mbega koba ari akazi ko mukuri karangwa n'ibikorwa vy'iterambere?
- Ni iki kitwereka yuko yiyita agakomeye?
- Yoba yari afise igituma c'ukuri co kwiyita agakomeye?
- Abantu bamushirako umutima bangana gute?
- Ni kubera iki bamushirako umutima ?
- Ni iki bavuga kuri we?
- Ico bamuvugako coba ari ukuri? Kubera iki atari ukuri?

Ivyakozwe n'Intumwa 8:12-13 Filipo amenyesha ububasha bw'Ubutumwa Bwiza ku ba Samariya

- Ni ubuhe butumwa Filipo yababwiye?
- Bamaze kwumva ubutumwa Filipo yababwiye baciye bakora iki ?
- Ibatisimu yabo yasigura iki ?
- Ni inde wundi yizeye ?
- Ni ibihe bimenyetso yerekanye vyemeza ko yakijijwe vy'ukuri ?

Ivyakozwe n'Intumwa 8 :14 Petero na Yohana baje gufasha i Samariya

- Ni bande bumvise ko Abasamariya bemeye ijambo ry'Imana ?
- Ni iki bakoze kugira bafashe canke bagire ico bakoze mw'iyerekwa?

Ivyakozwe n'Intumwa 8 :15-17 Petero na Yohana barasenga kandi abizeye b'i Samariya bararonka MpwemuYera

- Ni ikihe gikorwa nyamukuru ca Petero na Yohana?
- Ni kubera iki Mpwemu Yera atari bwabazeko?
- Mwiyumvira yuko ari kubera iki babatijwe mw'izina rya Yesu gusa atari mw'izina rya Data, Mwana na Mpwemu Yera?
- Ni iki Petero na Yohana babakoreye kugira ngo bakire Mpwemu Yera?

Ivyakozwe n'Intumwa 8:18-19 Simoni agerageza kugura ubushobozi bwa Mpwemu Yera

- Ni kubera iki Simoni yahaye intumwa amahera?
- Ni iki yariko agerageza gukora ?

- Murabe neza ko atariko agerageza gusa kuronka Mpwemu nk'abandi. Ni gute asaba gukora ibirenze ?
- Iyumvire ushimitse irindi rimwe, mu bijanye nivyo Simoni yari amenyereye gukora muri kahise, ningene abantu bari bamusize yumiwe. Mwiyumvira ko ari iki yariko agerageza kuronka mu vyukuri?

Ivyakozwe n'Intumwa 8 :20-23 Petero akurira inkoni ku gishitsi Simoni kubwivyo

- Ni gute Petero yakiriye ivyo asabwe na Simoni ?
- Ni iki Petero avuga ko ari ikosa muri ivyo vyasabwe ?
- Ni iki ico yasavye cerekana ku mutima wiwe ?
- Hako amuha ivyo yasavye, ni iki Petero yamuhamagariye gukora ahubwo?
- Ni iki Petero yatahuye kuri we?
- Abantu bamwe bamwe biyumvira ko inyishu ya Petero yerekana ko Simoni atari bwakizwe vyukuri ariko yagize ukwatura agakiza atakirimwo umutima wiwe utarahinduka vy'ukuri? Abandi biyumvira ko yari akijijwe vy'ukuri ariko kubera yabaye mu mwiza ukomeye igihe kirekire atari bwahindure ivyiyumviro vyiwe neza kuri Kristo muri vyose.Ni ibihe vyemezo umuntu yotanga mu gushigikira iciyumviro ca mbere? Ni ibihe vyemezo bisa nkibishigikira iciyumviro ca kabiri? (Mwigisha, iki kirashobora gutuma haba uguharira kugira akamaro.)

Ivyakozwe n'Intumwa 8:24 Simoni asba isengesho

- Ni iyihe yabaye inyishu ya Simoni kuri Petero?
- Mwiyumvira ko yasigura iki mu gutanga iyo nyishu ?
- Mwiyumvira ko iryo sengesho ryari rivuye ku mutima vy'ukuri ? Kubera iki ?
- Iyumvire kuri vya vyiyumviro bibiri ku bijanye nuko Simoni yoba yari akijijwe uheze uhere ho. Wiyumvira  ko inyishu utanga igukorako gute mu bijanye nimba ugusaba isengesho kwiwe kwoba kwavuye ku mutima vy'ukuri ?

Iyumvire ku nkuru ya Simoni umunyamareba (8 :9-24)

- Ni ibihe vyiyumviro ngenderwako twiga muri iyi nkuru ?
- Iciyumviro co gukoresha ibintu vy'ubashwe kubw'inyungu y'ubutunzi y'umuntu vyitwa mu congereza « simony », bivuye kuri iyi nkuru. Ni ubuhe burorero nkubwo mushobora gutanga mu muco wanyu ?

- Bibiliya iravuga ko umukozi aberwa n'impembo, none ni iyahe tandukaniro ryo guhabwa impembo yemewe kubw'igikorwa co gushikiriza Ubutumwa Bwiza, hamwe no gukora bene ico gikorwa kubw'inyungu bwite y'umuntu ?
- Ni gute abakristo bakwiye kwirinda iyo nyinfato (simony) mu buzima bwabo?

Ivyakozwe n'Intumwa 8:26-39 Filipo abwiriza Ubutumwa Bwiza

Ivyakozwe n'Intumwa 8:26 Umumarayika abwira Filipo ngo ave i Samariya aje mu bumanuko mu bugaragwa.

Ivyakozwe n'Intumwa 8:27-28 Imana yarateguye inkone y'Umunyetiyopiya kwakira ubutumwa bwiza.

Ivyakozwe n'Intumwa 8:29-30 Filipo akurikira ubuyobozi bwa Mpwemu mu kwegera inkone.

Ivyakozwe n'Intumwa 8:31-34 Inkone itumirira Filipo kuyiigisha ibijanye n'ubuhanuzi bw'Umukiza bwanditswe na Yesaya.

Ivyakozwe n'Intumwa 8: 35-36 Inkone iriga ku bijanye na Yesu yongera isaba kubatizwa.

Ivyakozwe n'Intumwa 8: 37-38 Inkone iratura ukwizera Yesu Kristo iraheza irabatizwa.

Ivyakozwe n'Intumwa 8: 39 Igikorwa ca Filipo kirangiye, Mpwemu amutwara ahandi. Inkone nayo irabandanya inezerewe.

Ivyakozwe n'Intumwa 26:19-32

Ivyakozwe n'Intumwa 26:19-20 Paulo yabwiye Agiripa ko atabaye intumvira ukwerekwa kuvuye mw'ijuru ko akwiye kubwira Ubutumwa Bwiza Abanyamahanga.

- Paulo yabwiye Agiripa ku bijanye n'iki?
- Ni hehe Paulo yatangarije ubutumwa?
- Ni uwuhe mugwi w'abantu yatumbereye kubw'umwihariko ?
- Ni ubuhe bwari ubutumwa yabaha ?

Ivyakozwe n'Intumwa 26 :21 Paulo abwira Agiripa yuko iyo ariyo mvo yatumye Abayuda bamufatira mu rusengero bakageza kumwica.

- Ni uruhe rwari urufatiro rw'ukuri rw'Abayuda mu kumwagiriza ?
- Ni irihe jambo rimwe Abayuda baterekwa cane cane ? (Abanyamahanga)

Ivyakozwe n'Intumwa 26 : 22-23 Paulo abwira Agiripa Ubutumwa Bwiza muri make

- Paulo yarafunzwe kuva Abayuda bamufatiye mu rusengero, nubwo ari uko ni iki yabandanije akora ?
- Ni kuri bande yabandanije abera Kristo icabona ?
- Ni kubera iki Abayuda batari gutegerezwa kubabazwa n'inyigisho za Paulo ?
- Izina « Kristo » risigura iki ?
- Ni iki Paulo yigishije kuri Kristo kubw'umwihariko ?
- Ni kuri iyihe migwi y'abantu berekanywe ko Kristo yabazaniye umuco ?

Ivyakozwe n'Intumwa 26 :24-26 Paulo yishura Fesito amwigirije ko yasaze

- Ni iki Fesito yagirije Paulo ?
- Uramaze kwumva umuntu yagiriza bene uko Abakristo muri kino gihe ca none? Inde, ryari?
- Ni iyihe yabaye inyishu ya Paulo kuri ico cagirizo ?

Ivyakozwe n'Intumwa 26 : 27-28 Paulo ari hafi gutahuza Agiripa kuba Umukristo

- Ni kuri uwuhe muntu Paulo ashizeko umwete muri uwu mwanya ?
- Ni ikihe kibazo yamubajije ?
- Ni iki Paulo yibaza ko azi kuri Agiripa ?
- Ni iyihe yabaye inyishu ya Agiripa ?
- Ni kubera iki inyishu yiwe itanga intege ikongere ikababaza?
- Umuntu arashobora gukizwa mu gihe ari HAFI gutahuzwa kuba Umukristo? Kubera iki atarivyo?

Ivyakozwe n'Intumwa 26:29-31 Agiripa hamwe n'abandi bari kumwe nawe basanga Paulo ata kibi comwagira

- Ni iyihe yabaye inyishu ya Paulo?
- Ni iki yashaka kuvuga ?
- Ni kubera iki Paulo yipfuza ico kintu ?
- Yashaka kuvuga iki mu kuvuga « ukuye iyi minyororo » ?
- Ni ba nde bamwe bamwe mu bantu bariko barumviriza ?

- Ni iki baganiriye mu mwiherero inyuma yo gusohoka kure ya Paulo ?

Ivyakozwe n'Intumwa 26 :32 Agiripa yubaha ukwunguruza kwa Paulo kuri Kayisari.

- Ko ababijejwe bari babonye ko Paulo atagirwa n'icaha bamwagiriza, kubera iki none batamuretse ngo yidegemvye ?
- Ni iki mwiyumvira ko kizokurikira ? (Ni iyihe ntambwe yumvikana ko izokurikira muri iyo nkuru ?)

Ivyakozwe n'Intumwa 27 :33-44 Paulo atekana mu gihuhuta

Ivyakozwe n'Intumwa 27 : 33-36 Paulo aremesha abandi bari bajabutse

- Ni iki abagendesha ubwato hamwe n'abajabuka bari bagize kubw'ibihe barimwo ?
- Ni iki Paulo yabateyemwo intege gukora ?
- Hari haheze igihe kingana gute bisonzesheje?
- Ni kubera iki yabahamagariye guhagarika kwisonzesha?
- Ni ikihe cemezo yabagiriye?
- Ni gute yari abizi? (Subira inyuma kuri 27:23-24)
- Ni ikihe kimenyetso yakoresheje mu kubaremesha ?
- Ni ibihe bintu bibiri bakoze basunitswe no kuremeshwa kwa Paulo ?

Ivyakozwe n'Intumwa 27 :37-40 Bose bakoze ivyo bashoboye kubw'umutekano wabo kandi ngo bashikire ubutaka.

- Ni abantu bangahe bari mu bwato ?
- Inyuma y'ugufungura, ni ibihe bintu vyo kwikingira bahavuye bakora ?
- Ni ibihe bintu bataye bakuye mu bwato ?
- Ni iki babonye ku murango ?
- Ni hehe bahisemwo kugerageza gutumbereza ubwato ?

Ivyakozwe n'Intumwa 27 :41 Ubwato bwarononekaye buhuye n'ubutaka

- Ni iki cashikiye ubwato igihe bashika k'ubutaka?

Ivyakozwe n'Intumwa 27:42-44 Paulo n'abandi bose bari bajabutse barakira

- Ni iyihe yari inama y'abasoda? Kubera iki ?
- Ni kubera iki abasoda bari bashize umutima cane kuri ico ?
- Ni kubera iki umugabisha w'abasoda yatanze ikindi ciyumviro ?

- Vyasigura iki umugabisha w'abasoda ? (Umusoda yatwara abandi basoda 100)
- Ni izihe nzira zibiri abari bajabutse bakoresheje kugira ngo bashikire ubutaka ?
- Ni bangahe muri bo bashoboye gishikira ubutaka ari bazima ?

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :1-10 Paulo afasha abandi biciye mu kwizera

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :1-2 Paulo hamwe n'abandi bari mu bwato bakirwa neza n'abantu baba mu kizinga Milita.

- Ikizinga aho ubwato bwasekeye ubutaka citwa gute? (Ni akazinga gato kari mu kiyaga Mediterane.)
- Umurongo wa kabiri werekana ikintu ciza hamwe n'ikintu kibi ku vyerekeye abantu baba muri Melita. Ni ibihe?
- Ni muri ubuhe buryo buboneka abantu bo muri Melita berekanye uburwaneza?
- Ni kubera iki umuriro wari ngirakamaro kuri bo?
- Ni ibihe bintu biboneka wokorera ingezi aho ubaye?

Ivyakozwe n'Intumwa 28:3-6 Abanyakizinga baraba batangaye ingene izoka yica ikomoye Paulo ariko ntibashe kumugirira nabi.

- Ni iki Paulo yakoze kugira afashe?
- Ni ikihe giteye ubwoba camushikiye ?
- Ni iyihe yabaye inyinfato ya mbere ku bantu?
- Ni iki bari biteza ko gihava gikurikira kuri we?
- Ni iki cabaye kuri Paulo nk'inyishu?
- Mwiyumvira ko kuba atantambamyi y'indwara yamushikiye vyavuye ku ki ?
- Abantu bahavuye biyumvira iki mu nyuma yo kumwitegereza umwanya muto ?

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :7-8 Paulo akiza se wa Pubiliyo, umukuru w'ico kizinga

- Ni inde mu buryo bw'umwihariko yabakiriye neza ?
- Ni ikihe kintu kiboneka yabafashijishe?
- Ni iyihe ngorane Pubiliyo yari afise?
- Ni iki Paulo yamukoreye ?

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :9-10 Paulo akiza benshi  nabo baraheza baramufasha.

- Ni gute tumenya ko inkuru y'ugukira kwa se wa Pubiliyo yakwiragiye ?
- Ni iki Paulo yaciye akora ?
- Ni gute yoshobora gukora ivyo ?
- Ntibitomowe neza ko yagize ukwo gukiza mw'izina rya Yesu, ariko uzi neza Paulo ni iki wiyumvira ?

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :23-31 Paulo akwiragiza Ubutumwa Bwiza, kandi natwe ni co dukwiye gukora.

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :23 Paulo amaze gushika i Roma, avuga Ubutumwa Bwiza ahereye ku Bayuda baba muri ako karere.

- Ni iyahe yari intumbero y'umusi wasezeranywe ?
- Ni hehe Paulo yavuganiye n'Abayuda ?
- Kubera iki aho ?
- Ni iki Paulo yabigishije ?
- Ni iyihe yari isoko yiyo nyigisho yiwe ?
- Yabigishije igihe kingana gute ?

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :24-27 Abayuda bari batandukanye mu kwakira ubutumwa.

- Ni muri ubuhe buryo Abayuda bari batandukanye kubera inyigisho za Paulo ?
- Ni gute muzi ko bahariri ye kuri ico kibazo hagati yabo ?
- Ni iyihe nyigisho ari yo yatumye bagenda ?
- Ni gute Paulo akoresha ivyanditswe kuri bo ?
- Iyo abumviriza bari gutahura bagahinduka, ni iki Imana yari kubakorera ?

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :28-29 Paulo amenyesha ko Ubutumwa Bwiza bwarugitswe ku Banyamahanga kandi ko bashobora kubwumva.

- Kubera ko Abayuda bataye nk'akanuka Ubutumwa Bwiza, ni ikihe kintu ciza caciye kiba ?
- Ni iki Imana yavuze ku Banyamahanga ?
- Ni bande bari abanyamahanga ?
- Hari imirongo yo mw'Isezerano rya Kera mushobora kwiyumvira yerekana kera ko Ubutumwa Bwiza bwari bugenewe neza na neza Abanyamahanga nkuko vyari ku Bayuda ?

- Ni gute tumenya ko ikibazo c'uwo Yesu ari  kitaronse inyishu mu Bayuda no mu nyuma yo kuva mu nzu ya Paulo ?

Ivyakozwe n'Intumwa 28 :30-31 Mu kiringo c'imyaka ibiri Paulo yarabwirije yongera arigisha Ubutumwa Bwiza ku baje bose kuri we.

- Paulo yari abayeho gute i Roma? (raba umurongo wa 16)
- Yabayeho uko igihe kingana gute?
- Ni gute yakoresheje uwo mwanya mu kuvuga Ubutumwa Bwiza?